# Umuvo urashobora kwanduza Iriba ryawe canke isoko

VERMONT DEPARTMENT OF HEALTH

**Fata ko amazi yawe yanduye nimba umuvo warashikiriye iriba ryawe canke isoko ryawe, kandi ntuyakoreshe mu kunywa kugeza umenye ko ari meza.** Amazi ashobora kuba atari meza gukoreshwa mu kunywa, guteka canke gusukura inyuma y'uko umuvo waje. Mu gihe no mu nyuma y'umuvo, amariba n'amasoko y'abigenga arashobora kwandukirwa n'amabagiteri, mikorobe hamwe n'ibindi bicafuza biva mu myanda, amavuta ashushe, imyanda iva mu burimyi, canke mu nganda, ubumara, hamwe n'ibindi bintu bishobora gutera indwara zikomeye.

## Umuvo hafi y'iriba ryawe canke isoko

**Ntukoreshe amazi yo mw'iriba ryawe canke isoko kugeza abanje gupimwa kandi umenye ko ari meza,** cane cane nimba:

- Yari canke yarengewe n'umuvo canke ari hafi y'umuvo
- Asosa canke amota nk'ibitoro canke ubumara, canke hafi uhikeka ibitoro canke ubumara bwasesetse

## Suzuma sisiteme y'amazi yawe ko zononywe n'umuvo

Nimba utabonye aho hantu mu gihe c'umuvo, rondera ubucafu n'ibishanga aho hantu n'amazi canke ibiziba mw'iriba canke mw'isoko. Ibi ni ibimenyetso vyerekana ko sisiteme yawe yarengewe n'imivo.

1. Nimba ari vyiza gukora uko, suzuma ibice vy'umuyagankuba:
    - Raba intsinga zidapfutse/intsinga zononekaye canke ibikoresho vy'amatara.
    - Raba nimba amazi yarinjiye mu gice ico arico cose c'amatara. Ntukore nku ntsinga z'amatara.
    - Nimba ibifatanya amatara canke ibikinga biri hanze y'iriba canke igisandugu c'isoko kikiri munsi y'amazi, ntiwatse ipompo kugeza amazi y'umwuzure agabanutse.
2. Raba ibice vyononekaye bigize sisiteme y'amazazi.
    - Suzuma uko iriba ryubatse - ahahengamye/hasadutse, hashobora gutuma amazi, imyanda yinjira mw'iriba no kwongereza ivyago vyo kwandura.
    - Raba neza umufuniko w'iriba hanyuma ushireko igufuri kugira umenye ko wugaye neza iriba. Imyanda ishobora kwinjira mw'riba iciye mu mufuniko utugaye neza.
    - Genzura amategura y'agasandugu k'isoko n'ibikoresho vyubatswe kugira urabe ko bifatanye kandi biri mu kibanza cavyo.

3. Mu gihe umuhora uzana amazi iwawe wononekaye cane gose, akura umukozi abijejwe abifitiye uburenganzira (uciye ku muhora uri mu congereza) canke umuhinga asanzwe ajejwe ibijanye n'amazi mu karere uherereyemwo (umuhora ngurukanabumenyi uri mu congereza).
4. Mu gihe ibitoro ukoresha mu gushusha canke ibindi bikoresho vy'ubumara bizwi ko vyamenekeye hafi y'iriba canke isoko ryawe ry'amazi, akura mu gisata ca Reta ya Vermont kijejwe kubungabunga ibidukikije (Vermont Department of Environmental Conservation (DEC) Spill Management(DEC)(umuhora mu congereza) mu gihe c'amasaha y'akazi (isaha imwe na 45(7:45 a.m.) zo mu gatondo gushika isaha icumi na 30 inyuma y'umuhingamo(4:30p.m.) kuri 802-828-1138 canke inyuma y'amasaha y'akazi kuri 800-641-5005 kugira umenyeshe ukwo kumeneka. **Kirazira kunywa amazi** mu gihe wiketse ko ibitoro canke ubumara vyamenekeye mw'iriba ryawe ry'amazi canke mu gihe amazi yawe asosa canke amotamwo ibitoro canke bumara.
5. Urashobora kandi kugira ingorane z'ibinogo vyawe vyakira amazi mabi. Rondera amakuru agufasha gutorera inyishu ibijanye n'ibinogo vyo muhira iwawe bisanzwe vyakira amazi mabi . Ku vyerekeye imihora kuri iyi page ja ahagenewe amakuru. Kugira uronke amakuru mu rundi rurimi, akura ikigo kijejwe amazi n'amashamba kuri ANR.CivilRights@vermont.gov canke 802-636-7827.

## Nimba iriba ryawe canke isoko vyaratewe n'imivo

Udukoko tutaboneshwa amaso twa bagiteri nitwo dukunda guhumanya amazi yo kunywa inyuma y'umuvo. Bagiteri zirashobora kugutera ingwara. Kirazira kunywa amazi yawe gushika igihe azoba amaze gupimwa.

1. Gushika igihe amazi yawe azoba amaze gupimwa kandi inyishu z'ibipimo zikerekana neza ko bagiteri zo mu bwoko bwa total coliform hamwe na E. coli "batazisanzemwo," **ntuzigere ukoresha amazi yawe** mu bijanye no:
   - Kunywa
   - Guteka
   - Kwoza amasahani
   - Gukora umutobe/ijuwisi canke ibarafu
   - Kuronga ivyamwa n'imboga
   - Kwiyugumura
   - Gutegura amata y'umwana
2. Ronka amazi ava mw'isoko ryiza rizwi.
   - Uzuza amazi ava mw'isoko ryizewe mu bikoresho bibika imfungurwa neza, nka town library (isomero ry'ibitabo ryo mu gisagara), town hall(inzu

y'igisagara), igisata kijejjwe kuzimya umuriro, mu mashure, amasengero canke ibiro vy'igisagara.

- Gura mazi yo mw'icupa.
- Gura amazi ava ku bagurisha menshi kandi wuzuze itangi. Rondera urutonde rw'ibikoresho bitwara amazi (umuhora uri mu congereza) canke urondere kuri interineti "bulk water haulers Vermont."(abajana amazi i Vermont.")
- Nimba udashobora kuronka amazi ava kw'isoko rizwi ryizewe, **shusha amazi yawe ikiringo c'umunota umwe** kugira wice amabagiteri n'utundi tunyabuzima dushobora kuba mu mazi. Usabwe kumenya ko gushusha amazi gushobora kwegeranya imicafu iva mu mivo, nka nitarate, mbi cane ku bana bato. **Ntukoreshe amazi ashuhije mu gutegura amata y'umwana.** Ntushushe amazi nimba:
  - Amota canke ubona ibimenyetso vy'ubumara mu mazi yawe
  - Wibaza ko hoba hari ibitoro hafi canke ubumara bwahasesetse
  - Ubona ko amazi yatobetse canke yuzuyemwo imicafu.
- **Nti** wuzuze amazi yatobekaye mw'iriba ryawe canke isoko amazi azanywe n'uwuyatwara. Ahubwo, shira amazi mu bikoresho bitonona imfungurwa(food-safe containers)

## Ni gute wosuzuma amazi yawe yo kunywa

1. Akura isuzumiro ry'igisata kijejwe amagara y'abantu kuri 802-338-4724 kugira usabe ibikoresho vyo gusuzuma ama bagiteri ku madorari $14.
2. Imbere yo gufata amazi make yo gupima:
   - Kura ivyondo ivyo arivyo vyose ubona, ivu, hamwe n'iyindi myanda hirya no hino y'umunwa w'ikinogo canke mu kigega c'isoko.
   - Mu gihe amazi yawe arimwo ivyondo canke yanduye, voma amazi uyakuye mw'ibombo ryo hanze ukoresheje umupira uboheyeko gushika haje amazi asa neza kandi atarimwo imyanda. Ibi bishobora gufata hagati y'iminota 30 gushika ku masaha menshi canke imisi, bitewe n'ubwaguke hamwe n'ubwimbike bw'ikinogo canke bw'isoko hamwe n'urugero ubuhumane bushitseko.
3. Kurikiza amabwirizwa yanditse mu gakarato k'ibikoresho vy'isuzuma. Izere neza ko umusi ufatiye amazi make yo gupima ariwo uyazaniyeko.
4. Jana amazi yo gupima kw'isuzumiro ry'igisata kijejwe amagara y'abantu canke ku biro bikwegereye bijejwe amagara y'abantu kuva ku Wambere gushika ku Wakane. Raba ikirangamisi (umuhora mu congereza)kugira urabe igihe ayo mazi agenewe gupimwa asabwa kuba yagejejwe kw'isuzumiro.

5. Utegerezwa kuronswa inyishu z'ibipimo vy'ama bagiteri mu gihe c'imisi ibiri y'akazi.
6. **Ntuzigere ukoresha amazi gushika inyishu z'ibipimo zerekanye ko bagiteri zo mu bwoko bwa total coliform hamwe na E. Coli "batazisanzemwo,"** Voma amazi kw'isoko ryizewe canke uyabize mu gihe c'umunota imbere yo kuyakoresha.

## Inyuma yo kuronka inyishu z'ibipimo vy'amazi yawe

- Mu gihe inyishu z'ibipimo vy'amazi yawe zerekanye ko hari ama bagiteri "basanzemwo,"kurikiza amabwirizwa ajanye no guhumanura ikinogo cawe canke isoko (umuhora uri mu congereza) inyuma yuko amazi yatewe n'imivo amaze gukama. Mu gihe ukeneye gufashwa ku vyerekeye guhumanura ikinogo canke isoko ryawe akura umukozi abijejwe akwegereye (umuhora uri mu congereza)canke umuhinga mu bijanye no gusukura amazi (umuhora uri mu congereza).
- Inyuma yo guhumanura ikinogo canke isoko, ongera usuzume amazi yawe uraba ko harimwo ama bagiteri kuva ku minsi 2 gushika kuri 3 inyuma yuko akamoto ka chrorine kamaze guhera. Akura isuzumiro ry'igisata kijejwe amagara y'abantu kuri 802-338-4724 kugira usabe ibikoresho vyo gusuzuma ama bagiteri ku madorari $14.

# Flooding Can Contaminate Your Well or Spring

VERMONT DEPARTMENT OF HEALTH

**Assume your water is contaminated if floodwater has reached your well or spring, and do not use it for drinking until you know it is safe.** Water may not be safe to use for drinking, cooking or cleaning after a flood. During and after flooding, private wells and springs can become contaminated with bacteria, microorganisms and other pollutants from sewage, heating oil, agricultural or industrial waste, chemicals, and other substances that can cause serious illness.

## Flooding Near Your Well or Spring

**Do not use the water from your well or spring until you have it tested and you know it's safe,** especially if:

- It was or is covered with floodwaters or located near flooding
- It smells sweet or smells like fuel or chemicals, or is near a suspected fuel or chemical spill

## Inspect Your Water System for Flood Impacts

If you did not see the area during the flood, look for debris and mud in the area and water or mud stains on the well or in a spring. These are signs that your system was flooded.

1. If it is safe to do so, inspect electrical components:
    - Look for exposed/damaged wiring or electrical components.
    - Check whether water entered any electrical components. Do not touch electrical wires.
    - If electrical connections or controls located outside the well casing or spring box remain submerged, do not turn on the pump until the floodwater has gone down.
2. Check for damaged structural components of the water system.
    - Check the well casing - A bent/cracked well casing may allow water, sediment and debris to enter the well and increase the risk of contamination.
    - Check the well cap and seal to make sure they are securely fastened to the well casing. Sediment and debris may enter the well through a loose well cap.
    - Inspect spring box tiles and structural components to see if they are sealed and stayed in place.
3. If your water system appears severely damaged, call a licensed well driller or your regional engineer).

4. If heating fuel or chemicals are known to have been spilled near your well or spring, call the Vermont Department of Environmental Conservation (DEC) Spill Management during business hours (7:45 a.m. - 4:30 p.m.) at 802-828-1138 or outside business hours at 800-641-5005 to report the spill. **Do not drink the water** if you suspect a fuel or chemical spill has impacted your well or if your water smells sweet or like fuel or chemicals.

5. You may also be having problems with your septic system. Find resources to help you with your septic system. The links on this page go to resources. To get information in another language, contact the Agency of Natural Resources at ANR.CivilRights@vermont.gov or 802-636-7827.

## If Your Well or Spring Has Been Affected by Flooding

Bacteria are the most common drinking water contaminants after a flood. Bacteria can make you sick. Do not drink your water until you have it tested.

1. Until your water has been tested and your results show total coliform and E. coli bacteria were "not detected," **do not use your water** for:
    - Drinking
    - Cooking
    - Washing dishes
    - Making juice or ice
    - Washing fruit and vegetables
    - Brushing teeth
    - Preparing baby formula
2. Get water from a known safe source.
    - Fill food-safe containers with water from a known safe source, like the town library, town hall, fire department, school, church or town office.
    - Buy bottled water.
    - Buy water from a bulk water hauler and fill up a water tank. Find a list of bulk water haulers or search the internet for "bulk water haulers Vermont."
    - If you can't get water from a known safe source, **boil your water for one minute** to kill bacteria and other microorganisms that may be in the water. Do not boil water if you:
        - Smell or see signs of chemicals in your water
        - Think there was a nearby fuel or chemical spill

    - See that the water is cloudy or full of sediments.
- **Do not** fill your contaminated well or spring with water delivered by a water hauler. Instead, keep the water in food-safe containers.

## How to Test Your Drinking Water

1. Call the Health Department Lab at 802-338-4724 to order a bacteria test kit for $14.
2. Before taking a water sample:
    - Remove any visible mud, sediment, and other debris from around the well casing or from within the spring box.
    - If your water is muddy or cloudy, run the water from an outside spigot with a hose attached until the water becomes clear and free of sediments. This may take 30 minutes to several hours or days, depending on the size and depth of the well or spring and extent of contamination.
3. Follow the instructions in the test kit for taking the sample. Make sure you are taking the sample the same day you are returning it.
4. Return the sample to the Health Department Lab or the closest local health office Monday through Thursday. Check the schedule to see when the sample needs to be returned.
5. You should receive your bacteria results within two business days.
6. **Until the test results show that total coliform and E. coli bacteria were "not detected," do not use the water.** Get water from a safe known source or boil it for one minute before using it.

## After You Receive Your Water Results

- If your results show that bacteria were "detected," follow steps to disinfect your well or spring after the floodwater has gone down. If you need help disinfecting your well or spring, contact a local well driller or water quality expert.
- After disinfecting your well or spring, retest your water for bacteria 2 to 3 days after the smell of chlorine is gone. Call the Health Department Lab at 802-338-4724 to order a bacteria test kit for $14.